**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**UBUNYAMABANGA BUKURU BWA RETA**

# ITANGAZO N° 09/2024 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 12 RUHESHI 2024

Inama Nshikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 12 Ruheshi 2024, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Umushikiranganji wa mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yabaye kw'igenekerezo ya 10 Ruheshi 2024, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

1. **Integuro y'itangazo ryo guhiganirwa isoko yo gusanura, kwagura no gukoresha ihoteri Source du Nil n'ibibanza vyo mu micungararo yayo,**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Iryo tangazo rijanye no kurondera uwikorera ivyiwe yofashanya na Reta, aba uwo ngaha mu gihugu canke mu mahanga, gusanura, kwagura no gukoresha ihoteli Source du Nil n'ibibanza vyo mu micungararo yayo.

Igikorwa coba kugirango iyo hoteli ije mu mugwi w'amahoteri yo ku rugero rwo hejuru bita « 5 étoiles », ikagira ikibanza c'idandarizo coroherezwa mu bijanye n'amakori n'amatagisi, hamwe n'icumba kiberamwo amakoraniro mpuzamakungu.

Inama nshikiranganji yasavye ko iryo tangazo ryomenyekanishwa no mu binyamakuru mpuzamakungu kugirango rishikire benshi bashoboka.

2. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano asubiramwo amasezerano yerekeye ishirahamwe rijejwe ivy'indege atari iza gisirikare kw'isi ryateweko umukono i Montréal kw'igenekerezo rya 06 Gitugutu 2016,**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Imvo nyamukuru zatumye ayo masezerano asubirwamwo ni izi zikurikira:

1° Ugutwara abantu n'ibintu hifashishijwe indege biguma vyiyongera bisaba ko urwego nshingwantwaro rw'iryo shirahamwe rwagurwa kugirango ibihugu vyose biri muri iryo shirahamwe vyumve ko biserukiwe.
2°Kwongereza igitigiri c'abagize umugwi ujejwe uruja n'uruza mu kirere kugirango ushobore kwifashisha ubuhinga n'umumenyi bw'ibihugu biri muri iryo shirahamwe.
Iyo nteguro yaremejwe.

3. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano ajanye no guhana ivyaha bikorerwa indege atari iza gisirikare (bise amasezerano y'i Beijing yo mu mwaka wa 2010),**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Ayo masezerano aje gushira ku gihe amategeko ajanye n'umutekano w'indege. Azofasha mu gukomeza ububasha bw'ibihugu mu kubuza ivyaha bikorerwa izo ndege, no gukurikirana no guhana abakoze ivyo vyaha.

Ayo masezerano azofasha kandi gushira mu ngiro umugambi w'ishirahamwe mpuzamakungu ONU wo kurwanya iterabwoba kw'isi. Iyo nteguro yaremejwe.

4. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano asubiramwo amasezerano yunganira ayerekeye guhasha inyuruzwa ry'indege , (bise amasezerano y'i Beijing yo mu mwaka wa 2010),**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Amasezerano y'i Beijing yunganira amasezerano yerekeye guhasha inyuruzwa ry'indege yatereweko igikumu i La Haye kw'igenekerezo rya 16 Kigarama 1970. Aragura ububasha bwayo mu gutegekanya ubuhinga bwose bushobora gukoreshwa mw'inyuruzwa ry'indege, harimwo n'inyuruzwa rikorwa hifashishijwe ubuhinga bwa none.

Ayo masezerano arategekanya kandi uruhara rw'abatumye n'abateguye ico caha, hamwe n'uwo wese yagize uruhara kugira ngo uwakoze ico caha ntakorweko amatohoza, ntakurikiranwe canke ngo ntahanwe.

Iyo nteguro yaremejwe

5. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano asubiramwo amasezerano ajanye n'ivyaha n'ayandi makosa akorerwa mu ndege, yatereweko umukono i Montréal kw'igenekerezo rya 04 Ndamukiza 2014,**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Ayo masezerano azana inyishu ku kibazo c'igwirirana ry'inyifato zitabereye zibera mu ndege, mu gufasha ibihugu kwagura ububasha bwavyo ku vyaha n'izindi nyifato zitabereye mu bihugu izo ndege zishikiramwo,hamwe n'igihugu uwukoresha iyo ndege akomokamwo. Ayo masezerano aha inguvu ingingo zijanye n'umutekano wo mu ndege ku rugero rw'isi yose.

Iyo nteguro yaremejwe.

6. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano ashinga umugwi w'ibihugu indwi n'ibindi vyagiye biriyongerako(G7+),**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi, no gutunganya imigambi.

Uwo mugwi wavutse mu mwaka wa 2010 uhuriyemwo ibihugu vyaciye mu ntambara vyitunganije vyo nyene, bikaba bishaka kuja hamwe ngo bishikirize ivyo bishira imbere ku rwego rw'ibihugu no ku rwego rw'isi yose. Watangujwe n'ibihugu indwi ari vyo : Afganistan, République Centrafricaine, Côte d'Ivoire, Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo, Sierra Leone, Haïti na Timor-Leste. Muri iki gihe uwo mugwi ugizwe n'ibihugu mirongo ibiri, Uburundi bukaba burimwo.

Mu mwaka wa 2019, uwo mugwi waremerewe gusasa kaburorerezi mw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU nk'ishirahamwe mpuzabihugu rishobora kugira ico riterereye mu mahangiro makurumakuru y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU, mu rugamba rwo kurwanira amahoro no kuyatsimbataza mw'isi.

Iyemezwa ry'ayo masezerano n'ibihugu vyose bigize uwo mugwi rizofasha ivyo bihugu kugira inguvu, kugirango ijwi ryavyo ryumvikane mw'ihirahamwe mpuzamakungu ONU.

Amasezerano ashiraho uwo mugwi yaramaze gutangura gushirwa mu ngiro. Intambwe isigaye nuko ibihugu bitarayemeza vyobikora, aha n'Uburundi bukaba burimwo. Iyo nteguro yaremejwe.

7. **Urwandiko rwerekeye kunagura uburaro muri Kaminuza y'Uburundi no gutunganya ibijanye n'imfashanyo hamwe n'ingurane-mfashanyo ironswa abanyeshure ba Kaminuza,**
   Rwashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Urwo rwandiko rurerekana ingene ibintu vyagiye birahinduka muri Kaminuza y'Uburundi kuva hashizweho igisata ca Kaminuza kijejwe ivy'imibano muri Kigarama 1984, imirimo yaco kukaba kwari ugutunganya ibijanye n'uburaro, gufungurira abanyeshure no gukurikirana amatungo ya Kaminuza y'Uburundi.

Kubera ukwiyongera na ntaryo kw'ibitigiri vy'abanyeshure, Kaminuza y'Uburundi yagiye iragabanya ivyo yahora ifashamwo abanyeshure.

Kubera uburyo budakwiye Kaminuza y'Uburundi ironswa, ntigishibora gusanura inyubako no kuronka ibikwiye kugira ngo abanyeshure bige neza, yongere ibaronse uburaro hanyuma ibafungurire.

Ingaruka kwabaye gufuta uburiro mu bigo vyose vya Kaminuza no gutanga ingurane-mfashanyo kugirango abanyeshure bimenye.

Uru rwandiko rero rurekana inzira zishoboka kugirango ibijanye n'imibano muri Kaminuza binagurwe, hamwe n'ivyokorwa kugirango amatungo ya Kaminuza canecane uburaro n'uburiro biriko bironenekara bikoreshwe neza mbere n'abikorera ivyabo bakajamwo.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza urwo rwandiko, yabonye ko Reta itegerezwa kugira akigoro, kuko indero y'urwaruka niyo kazoza k'igihugu.Yaciye isaba ko hoshirwaho umugwi wokwerekana ivyokorwa mu kunagura indero, n'abikorera ivyabo bakajamwo mu kwubaka uburaro no kugaburira abanyeshure, haba mu mashure yisumbuye canke aya Kaminuza. Yarasavye kandi yuko mu mafaranga Reta izokoresha mu 2024/2025 hotegekanywa iduzwa ry'ingurane-mfashanyo ihabwa abanyeshure muri Kaminuza.

8. **Urwandiko rusaba ko Reta yokwemeza ko ishirahamwe African Mining Limited (AML) rihereza ishirahamwe SOTB uruhusha ryahawe rwo gucukura inzahabu n'ubundi butare buziherekeza muri Komine Butihinda, mu Ntara ya Muyinga,**
   Rwashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Reta y'Uburundi hamwe n'ishirahamwe African Mining Limited barateye umukono ku masezerano y'uko iryo shirahamwe ryocukura inzahabu n'ubundi butare buziherekeza mu karere ka Masaka, Komine Butihinda, Intara ya Muyinga.

Iryo shirahamwe rigiye hamwe na Reta y'Uburundi baciye bashinga ishirahamwe rusangi rijejwe kwimba ubwo butare muri ako karere ryitwa African Mining Burundi.

Naho ibikorwa vyo kwimba izo nzahabu vyahagaritswe, ishirahamwe African Mining Limited ryasavye ko Reta yokwemeza ko rihebeye uruhusha rwo kwimba izo nzahabu ishirahamwe SOTB.

**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**UBUNYAMABANGA BUKURU BWA RETA**

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo dosiye, yasavye ko yobanza kwihweza amasezerano yose yagiraniye n'ishirahamwe African Mining Limited, kugirango ibone neza ingingo yofatwa.

## 9. Inzandiko zerekeye amashirahamwe yipfuza guhiganirwa ibikorwa vyo gutohoza no gucukura ubutare mu Burundi,

zashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Inzandiko zitari nke zarashikirijwe Inama nshikiranganji mu ntumbero yo gusaba intumbero yokurikizwa mu kuduza umwimbu mu gisata c'ubutare mu Burundi. Maze hakaba indinganizo y'umugambi utomoye w'ivyigwa vyogaragaza neza uturere n'urugero rw'ubutare bwa Nickel, bwa Lithium, bw'inzahabu, bwa Fer, eka n'ubundi butare mperekeza, maze ugashirwa mu ngiro hisunzwe igitabu c'amategeko agenga ubutare n'agataka mu Burundi.

Amashirahamwe yabinonosoye aremererwa guhiganirwa muri ico gisata c'ubutare uruhusha rwo gutohoza uturere n'urugero rw'ubutare, hanyuma uruhusha rwo kubucukura. Ugutohoza no gucukura ubutare kanaka ni igikorwa kibera mu karere kazwi neza ahao kava n'aho kagarukira.

Imaze kwihezwa izo nzandiko zose no kuzica hirya no hino, bimwe mu vyo yasavye ni ibi bikurikira:

1° Uruhusha rwo gutohoza ahari ubutare n'uruhusha rwo kubucukura nta shirahamwe rishobora kuzironkera rimwe ;

2° Ihiganwa ryugururiwe amashirahamwe yose akorera muri ico gisata kugira ngo iribaye irya mbere ribe ari ryo rihabwa uruhusha rwo gucukura ubutare mu gihe ivyigwa biba vyaraheze ;

3° Ingingo zo kworohereza abakorera mu gisata c'ubutare zigatuma umwimbu w'ubutare bushorwa hanze wongerekana zitegerezwa gufatwa ;

4° Abahejeje gucukura ubutare bose bategerezwa gutunganya neza ibibanza bacukuyemwo bigasubira uko vyari ;

5° Guhamagarira abacukura ubutare bose kubushora no kubudandariza mu masoko yabigenewe ;

6° Gukura ku rutonde rw'abacukuzi b'ubutare bama bavuga yuko ata butare baronse bamaze gucukura ;

7° Gutegura amasezerano yo gutohoza no gucukura akigwa n'Inama nshikiranganji imbere yuko akurikizwa n'uwatsindiye isoko ;

8° Umugwi w'abahinga urongowe n'Umushikiranganji wa mbere warashinzwe kugira ngo ukurikiranire hafi ibikorwa vyo mu gisata c'ubutare : Ukaba ugizwe n'abashikiranganji mu vyo bajejwe harimwo Ubutare, Ubudandaji, Inyubako hamwe n'Ubutungane.

### 10. Utuntu n'utundi

Mu gisata co gutegekaniriza abakozi, Inama nshikiranganji yasavye Umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi ko yategura isubirwamwo ry'itegeko rishinga umushahara uciriritse "SMIG" mu mpfunyapfunyo y'igifaransa, kuko ritakijanye n'igihe tugezemwo**.**

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 13 Ruheshi 2024

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA .**